# Ivyerekeye Ubutunzi bw'Igihugu c-Uburundi

Mu ngingo 42/26 (2019) y- Inama ya ONU ijejwe kubahiriza agateka ka zina muntu, yasavye Umurwi w-amatohoza ku Burundi kwiheza « ikoreshwa ry-ubutunzi bw-igihugu ». Amatohoza y-uwo murwi yasanze hari imikorere igamije gutsimbataza no kurinda ubutegetsi harimwo no guhonyanga agateka ka zina muntu, bigasobanura zimwe mu ngaruka mbi y-iyo mikorere ku banyagihugu. Uwo murwi urasaba abantu, imigwi canke amashirahamwe yipfuza kuzana umutahe canke amatungo mu Burundi gukora isuzuma rirashe ry-ikoreshwa ry-uwo mutahe.

## INTANGAMARARA

Kudakoresha ubutunzi bw-igihugu mukugiteza imbere bifise inkurikizi mbi cane ku banyagihugu. Ivyo bigaragazwa n-uko abarundi bashika ku bice 74 % bazitiwe n-ubukene. Urugero mpuzamamakungu rupima ubukene mu bihugu rwerekana ko mu Barundi cumi, indwi babayeho mu bukene burenze; ku buryo bakoresha amafaranga adashika idorari (USD) rimwe ku munsi mu mibereho yabo. Abarundi benshi ni abarimyi birimira utwo bafungura; uburimyi bukaba bukoresha ibice 92% vy-abanyagihugu kandi umwimbu ari muke.

Imbere y-inryane zo mu 2015, ubutunzi bw-igihugu bwari bubayabaye. Mu 2015, i Banki y-isi yose (Banque Mondiale) yari yaratohoje isanga Uburundi bwari bufise intumbero izotuma buba igihugu gikenye ca mbere (gusumba ibindi) kw-isi yose kandi kiri mu kibanza c-indwi ku rutonde ry-ibihugu bituma ubukene bwo kw-isi yose bwiyongera. Ibi rero bikaba bitangaje kandi biteye amakenga kubera ukuntu igihugu ari gito mu bwaguke kandi n-abanyagihugu baco batarenza imiliyoni cumi n-imwe.



## ISESAGURWA RY-UBUTUNZI



Ufatiye kuri ivyo n-ivy-ivyigaragaje mw-itohoza ryayo, uyu mugwi utewe amakenga n-ibiturire vyimonogoje, n-ubutware bubi bujanye n-isesagurwa ry-amatungo y-igihugu, n-ingene ny-amatungo yibwa n-abategetsi bo mu nzego zo hejuru bakongera bagakoresha amabanga bashinzwe n-ububasha bwabo mu kwigarurira amasoko mu bisata bajejwe. Ivyo rero akaba ari vyo biranga ingene ubutunzi bw-igihugu bukoreshwa. Ayo mabi rero akaba atari muyakorwa burunduka, ahubwo akaba akorwa nk-ibisanzwe kuko afatiye ku butegetsi bwigarurira itunga ry-igihugu rutitwararitse ineza y-abanyagihugu kandi bukabikora bwisunze ihonyanga ry-agateka ka zina muntu nkuko vyagiye bikorwa kuva mu 2015. Kubera rero ubutunzi buhabwa abategetsi n-abegereye ubutegetsi, abatavuga rumwe na Leta baca bababera intambamyi mugushikira nya butunzi bigaca rero biba ngombwa kubacinyiza no kubakuraho kugira abari ku butegetsi bagumane intwaro.

Uwo mugwi warashoboye gutohoza ibiturire ku rugero ntangere mu bisata bitunze cane vy-igihugu, nk-ubutaka bw-agaciro, no mu bisata vy-amatungo abayabaye nk-imfashanyo mvamahanga ry-iterambere, amasoko ya Leta n-idandazwa ry-ubutaka bw-igiciro kinini. Ivyo vyose rero bigatuma haba ukwigarurira ubutunzi bw-igihugu mu buryo butandukanye n-amategeko, cane cane mu bategetsi n-ababegereye.

# Ivyerekeye Ubutunzi bw'Igihugu c-Uburundi

## IBITURIRE

**Ibiturire vyarimonogoje mu bisata vyinshi vy-igihugu.**

### IBITURIRE BITANGWA

**Mu gisata c-ubutaka bw-agaciro kanini:**

Impusha zo gucukura ubutaka bw-agaciro zatangwa inyuma y-uko ibiturire bitanzwe (mu mafaranga agaragara canke yihishije mu buryo bw'amashimwe atandukanye). Nya biturire bikaba vyahabwa cane cane ibiro vy-umukuru w-igihugu ku ntwaro ya Petero Nkurunziza n-abatwara umugambwe uri ku butegetsi, CNDD-FDD.

**Mu gisata gishinzwe ibikorwa vya Leta:**

Amasoko yo kubaka inyubakwa za Leta yahawe amashirahamwe amaze guha ibiturire abategetsi ba Leta n-abayobozi bo mu mugambwe CNDD-FDD.

**Ibindi bisata:**

bishinzwe ugutanga impapuro za Leta, kwandikwa mu mashure canke kuronswa uburyo bwo kwiga.

### ISESAGURWA N-UBUTWARE BUTABEREYE MU BIJANYE N-IBIKORWA VY-ITERAMBERE RIKORESHA INTERERANO MVAMAHANGA

Ibikorwa bimwe bimwe vy-iterambere vyarasaba ko abantu banyarwa ku neza y-igihugu ariko rero bakaba batishuwe uko bitegekanijwe no mu kiringo gikwiye. Akarorero:

**Imiryango yanyazwe kuva mu 2017 gushika mu 2019 kugira ingoro y-i Gasenyi yubakwe ntiyigeze yishurwa amafaranga ategekanijwe imbere y-ukunyagwa.**

**Amafaranga yategekanijwe n-ubutegetsi mu kuriha abanyazwe k-ubw-iryubakwa ry-urugomero rw-umuyaga nkuba rwa Jiji na Murembwe aratangaje ku buryo atuma abahinga muri ivyo basigara bibaza igituma ari make.**

Intererano ry-iterambere ritangwa n-amashirahamwe acukura ubutaka nkuko bitegekanijwe mu Burundi akoreshwa mu buryo buhishije cane. Nta hantu na hamwe izo ntererano zanditswe kandi ari iz-amarafaranga menshi arenga incuro icumi amafaranga ategekanijwe na Leta mu vy-iterambere. Ariko rero gushika ubu akaba ata kintu kigaragara nya mafaranga arakora mu ma komini yagenewe.

### KWIGARURIRA UBUTUNZI MU BURYO BUNYURANYWE N-AMATEGEKO

**Mw-itohoza ryayo, uyu mugwi wasanze hari incuro nyinshi ubutunzi bwigaruriwe mu buryo bunyuranywe n-amategeko bigatuma igiturire, kudafata abantu ku rugero rumwe no gukoresha ubutegetsi mu kugwiza itunga ry-umuntu biguma bigwira.**

**Abashikiranganji bararengeye, incuro nyinshi cane, itegeko 42 ry-ibwirizwa shingiro ribabuza kurangura ayandi ma banga mu gihe bagikorera Leta.**

**Abayobozi bakuru n-ivyegera vy-abashikiranganji baragumanye bongera bararonswa imitahe mu mashirahamwe akorera mu bisata barongoye.**

### AMASOKO YA LETA

Amasoko ya Leta arangwa:

**N-ugukorerwa mu mpisho: amatangazo y-amasoko ya Leta ni gake asohoka n-ibibanza ngurukanabumenyi bijejwe kumenyesha ivy-ayo masoko, birera umenga ni sindabibazwa.**

**N-ikoreshwa ryeruye ry-ugutanga nya masoko bidaciye muguhiganwa no kudafata abahiganwa ku rugero rumwe bigatuma bamwe bashirwa hejuru y-abandi.**



# Ivyerekeye Ubutunzi bw'Igihugu c-Uburundi

## UKUTARIHA AMAKORI

Igitigiri gitangajwe na Leta c-amafaranga yinjira mu gihugu akomotse ku bidandazwa biva mu Burundi kiratandukanye cane n-igitigiri c-abashorera nya Leta kigaragaza amafaranga yarishwe ku bidandazwa biva mu Burundi nk-uko bigaragazwa n-ubuhinga bubijejwe bwitwa UNCOMTRADE. Itandukaniro hagati yivyo biciro rikaba rishobora gusigurwa n-ubusuma bukorwa mu bisata bitandukanye. Ariko itandukaniro rinini kurusha ayandi rikaba ryigaragaje mw-idandazwa ry-inzahabu. Ahandi ubusuma bukomeye bwibonekeje ni mw-idandazwa ry-ubutaka bita coltan na tungstène.

## UTUNZI BW-INYIBANO

Imishahara y-abashikiranganji n-abayobozi ba Leta nayo nyene irimwo ukwihishira kurenze. Yari ikwiye kuba ifise igitigiri kizwi kandi cashizweho n-amategeko ku mugaragaro ariko siko biri. Ibwirizwa shingiro ry-Uburundi rirasaba ko abategetsi bashikiriza ubutungane bubijejwe urutonde rw-amatungo yabo ariko ivyo bikaba bitigeze bikorwa ku ntwaro ya Perezida Nkurunziza kuva mu 2010. Abategetsi batari bake bakaba bafise amatungo menshi mu mahanga no mu mashirahamwe yo mu bindi bihugu yanditswe ku mazina yabo bwite canke ku mazina ntirano biyitirira. Inyubakwa z-abategetsi zikaba zikodeshwa n-ibiro canke ibisata nya bategetsi bajejwe canke bategeka.

## ISANO RY-ISESAGURWA RY-UBUTUNZI BWA LETA N-IHONYANGWA RY-AGATEKA KA ZINA MUNTU

Kubera ubukene burenze inkombe kandi bukwiragira hose Abarundi babayemwo, inkurikizi z-iryo sesagurwa ziteye amakenga. Kuri ubwo buryo buke bwa Leta bwo kugarukira abatishoboye, hiyongeyeko ivyo bita "interérano" nyinshi kandi zitandukanye zasabwa abanyagihugu ku nguvu canke mw-iterabwoba, bigatuma rero ubukene bwiyongera kurusha.

Isesagurwa ry-ubutunzi rituma Leta y-Uburundi ibura uburyo bukenewe kugira ngo:

**N-imiburiburi ishobore gukingira, nk-uko ibijejwe, uburengazira bw-abanyagihugu bwo kudasinzikazwa n-inzara, bwo kwiga amashuri y-ibanze ku buntu, bwo kuvugwa ku buntu, n-ubwo kuronswa uburaro.**

**Yubahirize, mu buryo butera bwiyongera, uburenganzira bwa zina muntu mu bijanye n-ubutunzi, imibano, n-imico kama, nko kugira amagara meza, kwiga, gukingira abahuye n-isanganya, hamwe no kuronswa ubuzima bubereye.**

**Ikingire yongere iteze imbere uburenganzira bujanye n-imibano n-uguserukirwa mu ntwaro nko gushiraho ubutungane bukora uko bibereye, ubwo n-abwo akaba ari nkenerwa mu gukingira uburenganzira ntakomwakomwa, abantu bose bakeneye, bahurirako.**

Iyo mikorere mibi ibandanije, ntakizotuma ubutungane buhinduka kugira ngo bw-ubahirize bwongere burinde uburenganzira bwa zina muntu.



## IMPANURO

### ZIHABWA BATEGETSI B-I BURUNDI

Gufata ivyemezo nyavyo vyokurwanya isesagurwa ry-itunga ry-igihugu, cane cane mugutsimbataza imikorere yo kumugaragaro, ihiganwa nyakuri, n-urutonde ry-ibisabwa mw-ihiganwa ry-amasoko ya Leta, hamwe n-uburyo bushemeye bwo gutatura amatati be no gutohoza inkomoko ry-ubutunzi bwagirijwe kurundarundwa mu busuma.

Abategetsi mu vya politiki n-ubutware bashikiriza ubutungane bubijejwe urutonde rw-amatungo yabo mu ntango no mu mpera z-amabanga bashinzwe.

Kumenyesha ku mugaragaro ingene amafaranga ya Leta yose yakoreshejwe.

Kwiyunga n-umugwi mpuza-makungu ujejwe gutohoza ivyerekeye ubutaka bw-agaciro witwa Initiative pour la transparence dans les industries extractives mu gifaransa no gushira mu ngiro imikorere yabo mu Burundi.

### ZIHABWA AMAKUNGU N-AMASHIRAHAMWE MPUZAMAKUNGU ATANGA UMUTAHE MU BIKORWA VY-ITERAMBERE

Gukomeza imikorere yabo kugira birinde ko umutahe wabo wibwa kandi batohoze bimwe bikomeye ibirego vyose vy-imyibano kugira ngo bamenye neza ko umutahe batanga ukoreshejwe neza kandi ugafasha abo ugenewe.